# Niwabona rero abakurikira muri Qor'ani Aayah zifobetse gusa, uramenya ko ari bo Imana Allah Yavuze (muri iyi Aayah), muraheza rero mubiyubare

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yasomye iyi Aayah: {Ntumwa y’Imana! Ni Yo Yonyene Yakumanuriye Qor’ani; muri yo harimwo Aayah zitomoye cane mu nsiguro, ni zo shimikiro yisungwa iyo hagize ikibadidanira mu nsiguro. Harimwo rero n’izindi Aayah zifobetse, zishobora kugira insiguro iyi n’iyindi, gutyo insiguro yazo nyayo ikagenwa na Aayah zitomoye. Abafise rero imitima yahuvye, baraheza bagakurikira muri zo Aayah zifobetse gusa, barondera guta abantu mu madidane (mu rudubi) ngo babahuvye, mu ntumbero ihuye n’insiguro bipfuza. Nta n’uwuzi insiguro nyayo y’ukuri ya Aayah zifobetse atari Imana Allah. Abamenyi babushitse na bo bavuga bati: “Twaremeye Qor’ani, ibirimwo vyose vyadushikiriye bivuye ku Mana yacu Rurema Allah”, bagaheza bagatahura insiguro ya Aayah zifobetse bisunze insiguro ya Aayah zitomoye, kandi rero nta wutahura insiguro yazo nyayo atari incabwenge koko} (Aali Imraani: 7), Aisha yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) imaze kuyisoma ica ivuga iti: "Ewe Aisha! Niwabona rero abakurikira muri Qor'ani Aayah zifobetse gusa, uramenya ko ari bo Imana Allah Yavuze (muri iyi Aayah), muraheza rero mubiyubare"".

[صحيح] [متفق عليه]

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarasomye iyi Aayah, aho Imana Allah Yavuze Ibwira Intumwa y’Imana ko ari Yo Yamumanuriye Qor’ani irimwo Aayah zitomoye cane mu nsiguro no mu ngingo zayo, ni zo shimikiro ryisungwa iyo hagize ikididanira abantu mu nsiguro, zikaba ari na zo abantu bagarukako iyo habaye ihazana hagati yabo; muri yo harimwo rero n’izindi Aayah zifobetse, zishobora kugira insiguro iyi n’iyindi kuri bamwe mu bantu, canke hakaba abibwira ko hagati yazo harimwo ukuvuguruzanya. Mu nyuma Imana Allah Iratomora ukungene abantu bigenza mu gutahura Aaya za Qor'ani, aho Yerekana ko abafise imitima yahuvye mu bantu, baheza bagakurikira Aayah zifobetse gusa, bakirengagiza Aayah zitomoye, barondera guta abantu mu madidane (mu rudubi) ngo babahuvye, mu ntumbero ihuye n’ivyipfuzo vyabo; nayo abafise ubumenyi nya bwo baraheza bagatahura ko iyi Aayah ifobetse, maze mu kuyitahura bakisunga Aayah itomoye, bemera mu kwemanga ko zose zikomoka ku Mana Allah Nyenukuninahazwa, Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, eka mbere bobo ntibazihendako kibure ngo basange harimwo ivuguruzanya, ariko rero insiguro yazo nyayo nta wuyibuka eka nta n'uwikebuka ngo ayitahure atari incabwenge koko. Mu nyuma rero Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)

yabwiye umuvyeyi w'abemeramana Aisha (Imana Allah Imwishimire) ko igihe yabonye abakurikira muri Qor'ani Aayah zifobetse gusa birengagiza izitomoye, azomenye ko abo ari bo Imana Allah Yadomyeko urutoke muri iyi Aayah Iti: {Abafise rero imitima yahuvye, baraheza bagakurikira muri zo Aayah zifobetse gusa}, muraheza rero mubiyubare, ntimukabatege amatwi ngo mubumvirize.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65062